# IJAMBO RYA NYENICUBAHIRO KW'IGENEKEREZO RYA 1 MUKAKARO 2024, UMUSI W'UKWIKUKIRA KW'UBURUNDI

**Barundi, Barundikazi ;**

**Ncuti z'Uburundi**,

1. Ndabaramukije mwese aho muherereye hose ; nimusangwe amahoro n'imigisha biva ku Mana Mushoboravyose, Yoyo itigeze ihengeshanya kumurikira ihanga ry'Uburundi.

2. Aho bukera, duhimbaza umusi mukuru udasanzwe muri kahise k'igihugu cacu; buca twibuka urugamba ruhambaye rwo guhabuza ukwishira n'ukwizana mu gihugu cacu twari twaranyazwe n'abanyamahanga.

3. Kuri uyu musi mukuru, ni akaryo ko kwibuka no kwigana intwari nya ntwari zaharaniye iryo teka, zirongowe n'Umuganwa atari umugani Rudoviko Rwagasore, tutibagiye abo bose bitangiye igihugu, haba mu kurondera iyo ntahe y'ukwikukira, haba mu kurwanira kuyitsimbataza.

**Barundi, Barundikazi ;**

4. Inyuma y'imyaka 62 Abarundi baronse uburenganzira bwo kwitunganiriza kazoza kabo mu mwidegemvyo, ni akaryo ko kwirimbura kugira ngo turabe umwimbu twashoboye kuvyaza uko kwikukira, hanyuma dutereze amaso imbere maze tubandanye urugendo, dushikire ukwikukira nyakuri, igihugu cigaba kikigaburira, kandi giteye imbere.
Ni iyo nsiguro twafatiyeko kugira twiyumvire Imbonakazoza y'Uburundi, « **Igihugu cifashe mu 2040, giteye imbere mu 2060 »**; igihugu cikukiye koko.
Ni ngaho nyene twafatiye kandi kugira ngo duhitemwo icivugo c'uyu musi, ari co : **« *Umwidegemvyo mu vy'ubutunzi ni kwo kwikukira nyakuri* ».**

**Barundi, Barundikazi,**

**Ncuti z'Uburundi ,**

5. Twatoye ico civugo kuko tubona ko umwidegemvyo mu vy'ubutunzi ari wo twipfuza ariko tukaba tutarawushikako.

Ubwa mbere, Abarundi ntibararonka ivya nkenerwa bikwiye mu buzima bwabo kandi baracabona ko badafashijwe batobaho.

Ubwa kabiri, turacakenye abahinga babunyoye bashobora gutunganya n'uguhingura itunga ry'Uburundi.

Ibi ni vyo vyerekana ko tukizeye ubuzima ku minwe y'abandi. Ni co gituma dutegerezwa kwivyukiranya, tukagira umuvuduko munini kugira duhamvye ayandi mahanga mw'iterambere.
Ivyoduteza imbere turabifise, ariko dusabwa guhindura ingene dukora n'ingendo, tukarangura imirimo yacu twisunga ico dushaka gushikako.

6. Ntihagire uwugira ubwoba ngo ni uko tumaze imyaka myinshi tuzingamye yibaza ngo ntituzokwogorora. Ubu harageze ko twivyukiranya.
Ni twaba tugikenye vyinshi mu buzima bwacu, ni twiteko umwikomo, tumenye ko ari twebwe nyene twiyononeye, dutoba isoko ryacu, kandi muzi ko ba sokuru bayamaze bati : « ***Isoko ryakumaze inyota nturyita ikiziba*** ».

Kuva turonse intahe y'ukwikukira kugeza uno musi, twarahuye n'ibigeragezo vyinshi. Abantu ata co bazira baragandaguwe, abandi barata baromoka, urubanza rugakukira uwiganje, ubutunzi bw'igihugu butambukira kuri sankoko, ibidukikije birahahonera, eka nta kintu kiboneka cabaye kigikozwe.

7. Ariko ngo « ***imanga ntimarira Imana*** », intwari ntizaheze ngo ziherengetere ; hariho abacitse ku macumu kandi baba ba **Ryumeko**, ba **Ndarigumije**, gushika aho intahe y'ukwikukira ivyara intwaro ikomoka ku benegihugu ikaba ari bo iharanira.

Ubu Abarundi barafise uburenganzira bwo kwitunganiriza ivy'igihugu cabo mu bisata vyose ata munyamahanga abahagaze ku gakanu, na kare turabizi ko **« *umutaka mutirano ugushikira imvura ihise* ».**

**Barundi benewacu ;**

8. Murumva ko igihugu gishitse aha ariko tuvuye kure, turacafise inkovu zikidusasata. Kubera twataye umwanya, turacakenye vyinshi kandi nkenerwa mu buzima bw'abenegihugu; mbere hariho n'abacitse inkokora, babona ko tutagendeye ku mugongo w'abandi tutokwisimbiza.
Ku vy'ukuri, nagira nsubire ndabatangarize ko Uburundi atari igihugu gikene ; kirafise umutahe giherako, kandi uwufise umutahe ufadika, ntahomba iyo azi kuwukoresha.
Mbere ni akaryo ko gushimira Abarundi b'imboneza bamaze kwugurura amaso , bakamenya aho itunga ry'ukuri riva, bagatangura gukamisha isi, imvura n'amazi Imana yaduhaye.
Ubu mu gihugu cose inzara urabaza, aho nta kinyoma kirimwo. Urwaruka rwarijukiye ibikorwa, bamwe bararimye bongera barorora, abandi barahingura ibivuye mu mwimbu, abandi mbere bakoresha ubwonko bwabo, ku vy'ukuri ubu uravye urwaruka, nta mwiheburo urubonako mu maso kiretse ikinebwe.

Ese nk'ubu aho bukera naho, twobona Abarundi batanguye kwimba n'uguhingura ubutare bw'Uburundi!
Ese twobona Abarundi batanguye gukwira isi yose, badahunze ubukene n'ivyago, ahubwo bagiye gukwegakwega abanyamahanga ngo bazane imitahe yabo mu gihugu!
Ese twobona Abarundi bakorera hanze bazanye ivyo basumye guteza imbere gihugu c'amavukiro.

**Bavukanyi, Barundi benewacu ;**

9. Kugira intahe y'ukwikukira ibandanye ishinga imizi mu gihugu, ni uko Umurundi wese azoba afise umwidegemvyo mu bijanye n'ubutunzi.

Umwidegemvyo mu vy'ubutunzi ni ukubona ko, koko, ushobora kubaho ata wugukoze mu ntoki.
Dutegerezwa rero kuvyura imizirikanyi yacu, dutegere ko iterambere ritegerezwa kuvyarwa n'ibikorwa vyacu twebwe ubwacu. Imboneza mu gihugu na zo zitegerezwa kumenya ko ata wukorera mu nduru, umwenegihugu ategerezwa gukora atekaniwe, abona ko inzira y'iterambere ari umuharuro.
Ni ukuvuga ko amahoro, ubutungane, itunganywa ry'ubutunzi ku neza ya bose, ibikorwa vy'iterambere rusangi, ivyo vyose bitegerezwa kuba nyamwibonekeza kuko ni wo mushinge w'iterambere.

10. Turahimbawe uno musi, kuko duhimbaje intahe yo kwikukira igihugu cose gihema ubimwe, amahoro n'umutekano.
Ubu turafise umwizero wa kazoza, turarya tukaryama tuzi ko buca.
Kubona twarashoboye kurandura imbuto mbi y'amacakubiri shetani yari yatubivyemwo, ni ikintu co kwiratira.
Ubu Abarundi baratanguye gutahura ko basangiye umuzi, Uburundi ; ko rero basangiye no kwuma. Igiti twese twicayeko ni Uburundi : hamwe bwokwuma, natwe twoba twumye ata wuvuyemwo.
Ni co gituma twese, mu vyo umw'umwe ashoboye, dutegerezwa kubukorera kugira ngo buturamire twese.

11. Kugira tugire umwidegemvyo mu vy'ubutunzi, ni uko twohingura itunga kama Imana yahaye igihugu cacu. Iryo tunga na ryo ni iri : Uravye aho igihugu c'Uburundi giteretse, imisozi yaco, amazi n'ibiyaga bigisharije, n'akayaga keza kaco, koko ni ka gati kateretswe n'Imana mu kibanza kibereye. Ni co gituma ari « mutima wa Afrika ». Isi y'Uburundi nta giterwa na kimwe kitayimeramwo, tutibagiye ubutare n'agataka biyuzuye.
Kuri ivyo hagaca hiyongerako amabuye y'ubutare y'ubwoko bwinshi, avamwo ivya nkenerwa isi yose ikeneye.

12. Kuri ubwo butunzi hiyongerako ubwenge n'ubukerebutsi bw'Abarundi.
Mu bihe vyahera, kubera umutima utari mu nda, nta mwanya Abarundi baronka wo kwerekana ubwenge bwabo. Turashima rero ko

uno musi hari Abarundi rurangiranwa kandi bariko bazana ubuhinga bwabo mu gihugu.

Turafise umwizero ko ejo aho bukera tugatangura guhingura iryo tunga kama Imana yaturemeye, mu myaka cumi gusa tuzoba twiraba tukibona mu mugwi w'ibindi bihugu, na rirya hari ibihugu vyinshi turusha itunga kama.

13. Ariko rero burya ngo: ***"Uwambaye ikirezi ntamenya ko cera"***; hari Abarundi batarazirikana ayo mahirwe dufise.
Abo, aho gukora kugira ngo batere imbere, bacambirwa ivyo ibindi bihugu bibifise.
Aho hose baba bibagira ko igihe abo bandi bubaka ibihugu vyabo, tweho twariko dupimana amazuru, twicana, dutoteza aboteje imbere igihugu.
Iyo ngeso mbi yaturanze kuva twikukiye, ni yo yatuzingamitse, bituma amakungu adusuzugura, ukwikukira kwacu kuba kurataye agaciro kuko umukene ata jambo afise mu batunzi! Kandi n'umunyakajagari ntiyicara mu bagabo.

14. Nimwiyumvire intwari zimaze guhitanwa n'ibihe bibi Uburundi bwagiye buracamwo, kuva kuri Rwagasore gushika kuri Ndadaye uciye kuri ba Ngendandumwe, ba Mirerekano, ba Ntaryamira, n'abandi !
Nimwiyumvire incabwenge zimaze kugandagurwa mu Burundi, uhereye ku bize ayabayabaye ugashikana kubafise indangabumenyi zo mu rwego rw'intsindagirabumenyi!
Nimwibaze namwe aho Uburundi buba bugeze, iyo izo ntwari n'izo ncabwenge ziramba, iyo turonka amahoro n'impore mu mitima !
Aho ni ho twahombeye, ni co gituma dukwiye kuhariha ukwiruka.

Duhiriwe duhishije ko twamaze gutahura, tugafata inzira y'inyishu. Iyo na yo si iyindi, ni urupapuro rw'inzira idushikana mu gihugu cifashe mu 2040, giteye imbere mu 2060.
Iyo ni yo nzira izodushikana ku Burndi bwikukiye vy'ukuri.

**Barundi benewacu ,**

15. « ***Umwidegemvyo mu vy'ubutuzi ni kwo kwikukira nyakuri*** ».

Ariko rero tubitegere neza; Ukwidegemvya mu vy'ubutunzi, mu vya poritike no mu mico n'akaranga vyacu ntibisigura ukwiyugumura abanyamahanga.

Haba na mba! Ukwidegemvya mu vy'ubutunzi, ni ukumenya kwibako ata we urinze gutega amaboko, ariko utanse kubana no gukorana n'abandi bose. Umwidegemvyo mu bijanye n'ubutunzi ni ukuba **nzirimira** ariko ukumva ko abanyamahanga mutegerezwa kurahuriranira.

**Barundi benewacu;**

16. Nagira ndabatangarize ko dufatiye kw'itunganywa ry'amahera azokora muri uyu mwaka, twatanguye inzira ituroresha mu Burundi buteye imbere kuko ubu dushaka ko amahera ategerezwa kwinjira mu kigega yinjira yose atayaciye mu binywabi, ayasohoka na yo agasohoka agiye gukora ibikorwa vy'abanyagihugu.
Mbere turipfuza gushika ku rugero ata mukozi w'igihugu ashobora kuronka agahembo aterekanye ico yakoze ku neza y'abenegihugu.

17. Murazi ko ingingo tugenderako mw'iterambere ry'igihugu ari:

**"Iterambere rikomoka ku mwenegihugu rikongera rikamugarukako".**

Muzobaze n'abandi bateye imbere, igihe cose, iterambere ry'igihugu rikomoka ku bikorwa vy'abenegihugu, umwe wese ku bimwega ; uburongozi bw'igihugu na bwo bugatunganya ivyavuye mu bikorwa vy'abenegihugu ku neza ya bose.
Inzuki ni akarorero keza twofatirako: Inzuki zikorera hamwe, ariko rumwe rwose rufise igikorwa rugenewe.

Igihugu ni nk'umuzinga, ni co gituma tucipfuriza gutera imbere nk'umuzinga.

Mu muzinga hari urutonde: uruyuki rutaye igikorwa rwariko co kudaha ubuki mu mashurwe rukarya umuntu, ntirusubira mu zindi, ruca rucika mpingwe, rukaguma ruyingirira mu gahinga.

No mu gihugu ni kwo kw'uko: abataye igikorwa cabo ntibimbure, barakena hanyuma bakaguma bayingira nk'imiyinga, bidodomba gusa. Ariko abakozi b'ukuri, usanga bariko barikura akuya, baganira, umwe wese yirata ingene umwimbu wiwe wagenze. Abo nta rwamo batera mu gihugu.

18. Ubu rero harageze ko uwidodomba wese, ababajwe n'uko igihugu gikenye yisuzuma, akamenya igituma avuga ko igihugu cacu gikenye. Mbega wewe wamaze iki mu gihugu, wokwirata?

Ibituma Uburundi bukenye biriho: haracariho ba **ndimirandye**: Haracariho Abarundi indiri bagishaka kubeshwaho n'urwenge. Bariyicariye, barindiriye ko uwabirimye abisoroma, hanyuma bagashora ivyo batarimye canke izo batoroye.

Haracariho n'Abarundi, bihebuye, bashize mu muzirikanyi wabo ko kugira baronke ubuzima bategerezwa gusega canke bakaba abasuku b'abandi.

Hari n'abandi benshi bazeye ubuzima mu gukamisha ivyicaro mu gihugu. Abo na bo bari bakwiye gutegera ko batajejwe kurya ivyavuye mu benegihugu, ahubwo ko bajejwe gutunganya ingene iterambere risubira mu benegihugu.

19. Abo bose tuvuze ni bamwe bamaze gushira mu muzirikanyi wabo ko ata co bazopfa bimariye, bagaca babitera mu bandi, gurtyo bakabatesha ikivi. Erega ubana na suneba, ugasuneba nka we.

Nanje reka mere nk'umutumwa Paulo igihe yumva ko ishengero ry'abanyatesaronika babaye ibinebwe aca abategeka avuga ati : *"Turabategetse benewacu, kw'izina ry'Umukama wacu Yezu Kristu, nimuhunge uwo muvukana wese yishinga kurera amaboko kandi ntakurikize ivyo twabigishije. Nakare murazi neza ukuntu mwotwigana, kuko tutareze amaboko iwanyu, kandi atawe twaririye ivya gusa ariko twama dukora ijoro n'umutaga, tugacumukura kandi tukaruha kugira ntihagire uwo tugora muri mwebwe.*

*Si uko tutari tubifitiye uburenganzira, ariko twashatse kubabera akarorero ngo mutwigane. Nkako aho twari tukiri iwanyu, ng'ibi ivyo twabategeka: hagize umuntu adashaka gukora n'ukurya ntarye".*

20. Reka nce mpera ngaho, imbere yo guheraheza, ndabahe impanuro mwese Abarundi n'abanyamahanga baba mu Burundi:

**Ubwa mbere,** ni uko twese twogwanya ubunebwe bwatwatsemwo indaro, ntihagire uwusubira kurya ivyo aseze kiretse bamwe bitwa ba ntahonikora.
Ntahonikora na we ni umuntu nta magara, atagira inkomezi canke ubwenge.
Hariho abiririrwa mu mabaramiro, bakibera ngaho, ataco bakora ariko bakiririrwa baridodomba, bateranya inzego z'igihugu n'abenegihugu, abo turabategetse baje ku kivi, bakore kugira barye ivyo bakoreye. Mu Burundi nta n'umwe abuze ico yokora, ingorane ni uko benshi muri bo bumva ko gukora ari ukuba umusuku w'abandi.

**Ubwa kabiri**, ndasavye abari ku kivi ntihagire ababaca inkokora, babasamaza ngo ejo ntibuca. Mumenye ko hariho abafitiye ishari uyu muvuduko turiko mw'iterambere kuko uwo twahora dusega turiko turamuca mu myanya y'intoki.
Nimuje hamwe ahubwo, mugwize umwimbu, hanyuma aho bukera mwigire inama y'ingene muzowuhingura mwongere muwushore mu mwidegemvyo kuko hari ibinebwe bigabirije ngo mukore na vyo bibungukireko.
Ni co gituma mwofata nka nkama Ijambo Imboneza mu baharaniye intahe y'ukwikukira Ludoviko Rwagasore yashikirije ku wa kane nyakanga 1958, igihe yari mu birori vy'ukwugurura ikoperative COPICO (ikoperative kavukire yo gusumiramwo), kugira mwumve ko atari jewe jenyene ndabereka akamaro ko gukorera mu ma koperative.

Yavumereye ati : « ***Ntawokekeranya ko mu gihe amashirahamwe y'amakoperative atunganijwe neza, agafashwa kandi agahimirizwa, igihugu cacu cotera imbere mu butunzi ku buryo nyabwo kandi burama ku mpande zose, abanyagihugu na bo bokahatorera akoyoko mu kugira ubuzima bwiza ata wugunze uwundi, mu buntu n'ubutungane*** ».

**Impanuro ya gatatu** iraba indongozi z'igihugu. Ni mube akarorero mu bikorwa aho muri hose. N'aho hari abashitse mu bibanza barimwo baje kubikamisha, ubu ni igihe co guhinduka, mwirihe aho mwacerewe mu gukora ijoro n'umurango, mwerekane ico abenegihugu murongoye bobiganako.
Ni vyo, murafise uburenganzira bwo kuronka agahembo; ari namwe nimwiyumvire ko ikiringo canyu kizohera ejo, mutegure aho muzotaha, muzoheze ikiringo batabazomera ahubwo babaha ikaze.

Abajejwe intwaro ni mwigishe mushimitse abo murongoye, mubereke ko **"Itunga ry'umuntu rifise agaciro ari irivuye mu bikorwa".**

21. Ku barundi bose,
Ndabasavye gufata umwanya wo kwiyumvira kuri kahise kacu, ivyatuzingamitse tubikosore, twubake kazoza keza kacu dushingiye kw'ihangiro twiyemeje canecane tuguma twibuka ko imitwe ikora ikoranye, kandi ko tubiri tuvurana ubupfu.
Iyo tuja twarahabonye, umwe wese naze ararimbura, araba ico atarashokako iwe, hanyuma yihe indinganizo yo kugishikira akoreshe ubwenge n'inkomezi Imana yamuhaye.

22. Mu kurangiza, nashaka kubamenyesha imanza zibiri twimirije kandi nkoramutima ku buzima bw'igihugu.

Ubwa mbere, ni urubanza rwa rusansuma rw'abenegihugu, uburimyi, ubworozi n'uburaro. Dusaba indongozi gutangura kwigisha abo zirongoye kwitaba ico gikorwa, kuko kizodufasha kumenya aho tugeze mu nzira igana yo kwubaka Uburundi buteye imbere.

Ubwa kabiri, turimirije amatora mu 2025, azoba imbere yo guhimbaza intahe y'ukwikukira.

Ndasavye nshimitse mwebwe abanyeporitike kudashuha imitwe ngo muhave mukora ibidakorwa.

Amatora ni umugirwa usanzwe kandi uzokwama wabaye. Tubikore twese twunze urunani,mu muvukano, nk'abasenyera ku mugozi umwe.

Tuyitegurire twese tuzi ko amatora ari ikimenyetso co kwikukira mukwitunganiriza intwaro; ko amatora meza na yo ari ukwemeza amakungu ko Abarundi twashitse mu bigero, ko dushoboye kwitunganiriza ivyacu. Amatora atagira indyane ni iteka ku gihugu na beneco.

25. Nkaba rero ndangije nongera kwipfuriza umusi mukuru mwiza Abarundi bose, tuwuhimbaze tuzirikana iyo twavuye, aho tugeze n'iyo turiko turaja.

**Imana ibahezagire!**

**Murakoze**